Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°823 15 Nyakanga 2024

## Iyugururwa rya Yubile y'imyaka 25, Musenyeri Gervazi Banshimiyubusa amaze ari Umwepiskopi

Kuri uyu wa gatandatu igenekerezo rya 14 Nyakanga 2024, Nyenicubahira Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, yaruguruye icese Yubile y'imyaka 25 azoba amaze ari Umwepiskopi.



Kuri uyo munsi nyene yaboneyeho no kwugurura umwaka mushasha w'ubutumwa muri Diyoseze, ku civugo kigira kiti : « Dukomeze Ekleziya muryango, mu bumwe no mu rukundo, no gusangira neza ivyo Imana iduha »

Ibirori vyari vyatewe iteka n'abanyacubahiro batari bake : Intumwa ya Papa mu Burundi, Abepiskopi barongoye amadiyoseze ya Gitega, Muyinga, Ngozi, Musenyeri Yohani Ntagwarara yahoze arongoye Diyoseze Bubanza, Ivyariho bikuru vy'amadiyoseze yose, abasaserdoti n'abihebeyimana ba Diyoseze nkuru ya Bujumbura, Uwaserukiye Reta y'Uburundi, Nyakubahwa Francois Havyarimana, Umshikiranganji w'indero, n'abakristu isinzi bari bakubise muri Katedrale Paruwase Mvyeyi,

Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ishure ryugururiye bose ni nkenerwa ku ndero y'ibibondo



Ku wa 14 Myandagaro 2024, ababikira Bene Umukama i Bujumbura baratunganije uruganda ku barezi b'amashure amw'amwe yo mu gisagara ca Bujumbura agizwe cane cane n'amashure yegamiye uwo muryango hamwe n'ayandi mashure bafitaniye ubucuti. Urwo ruganda rwari urwo gufashanya gutahura icarico ishure ryugururiye bose,

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo


- Umuhari w'abigisha-barezi ni kirumara....6
- Patiri Georges Defour yari intwari ibushitse....8
- Kwinjiza inyamiramabi zishasha 2024....9
- Uburenganzira bwo kwubahirizwa mu vyerekeye imico n'akaranga.......10

# Idominika ya mirongo 24: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Izaya 50,5-9a*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

*(Narateze ibitugu abankubita)*

Umukama yarazibuye amatwi yanje, nanje sinamwankiye, sinamuzibukiriye. Narateze ibitugu abankubita, abanshikura ubwanwa ndabatega imisaya, abankubita be n'abancira amate, sinabahishije amaso. Umukama Imana yanje arantabara, ni co gituma ivyo bitutsi ata co bingira; ni co gituma mu maso nahakomeje hakadadarara nk'ibuye, ndazi ko ntazoteterwa.

Uwuzondekurira ari hafi. Ni nde yokwubahuka kuja kumburanya? N'aze tuburane! Uwuzi ko afise ico andega, n'anyegere! Umukama Imana ni we amfasha, none ni nde azoncira rubi?

## Igisomwa ca kabiri: *Yakobo 2,14-18*

Ivyo dusoma mw'Ikete ry'Umutumwa Yakobo:

*( Ukwemera iyo kudaserutse mu bikorwa, nta co kuba kumaze)*

Ncuti zanje, umuntu yovuga ko afise ukwemera atagira ibikorwa, vyomumarira iki? Mbega, ukwo kwemera kwoshobora kumukiza? Nk'ubu hoza mwenewabo canke mushiki w'umwe muri twebwe, akaza yambaye ubusa canke atagira ico arya, umwe muri mwebwe akamubarira ati: «Genda amahoro, wote, ususuruke, ufungure, ushire inzara», ntamuhe ivyo umubiri ukeneye, mwumva vyomumarira iki?

Ukwemera na kwo ni ko kw'uko: iyo kudaserutse mu bikorwa, kuba kwarapfuye imyaka! Bene uyo muntu yomubwira ati: «Wewe ugira ngo ufise ukwemera, jewe ndakugendera mu bikorwa. Nyereka rero ukwemera kwawe kudaserukira mu bikorwa, nanje ibikorwa vyanje ni vyo bizokwereka ukwemera kwanje.»

## Inkuru nziza *: Mariko :8, 27-35*

**Alleluya! Alleluya!**

*Jeho icompa ntihagire ikindi kininahaza ndetse Umusalaba w'Umukama wacu Yezu Kristu, watumye ivy'isi bimbambirwa nanje nkabibambirwa.*

**Aleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Mariko:

*(Umwana w'umuntu abwirizwa kubabara menshi)*

Umusi umwe, Yezu n'abigishwa biwe bagiye mu bigwati vy'i Sezareya ya Filipo. Mu nzira arabaza abigishwa biwe ati: «Abantu bagira ngo ndi nde?» Baramwishura bati: «Bamwe ngo uri Yohani Batista, abandi Eliya, abandi na bo ngo uri umwe wo mu bahanuzi.»

Yezu arababaza na bo ati: «Mweho ku bwanyu ndi nde?» Petero aba ari we avuga, yishura ati: «Uri Kristu.» Araheza arabihanikiriza ashimitse ngo ntihagire uwo babibwira.

Hanyuma, Yezu atangura kubigisha ko Umwana w'umuntu abwirizwa kubabara menshi, agacibwa n'abakurambere n'abaherezankuka bakuru n'abigisha, akicwa, hanyuma akazuka hashize imisi itatu. Kandi ivyo yabivuga icese.

Petero amwihereranije, aja mu vyo kumutonganya. Yezu rero arahindukira, araba abigishwa biwe, araheza atukagura Petero ati: «Va aho, igira inyuma, wa shetani we! Ivyiyumviro vyawe si ivy'Imana ni ivy'abantu.»

Ahamagaye ishengero n'abigishwa biwe, Yezu ababwira ati: «Uwushaka kungendanira niyihebe we nyene, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire. Nka ko, uwuzoshaka kurokora ubuzima bwiwe azobubura, na we uwuzobuheba ku bwanje no ku bw'Inkuru nziza azoburokora.»

# Akanyamuneza mu Muryango w'Abigeme b'Umuvyeyi w'Ikigongwe

Mama Mariya Berenadeta Niyorugira yagize indagano za burundu, na ho Mama Mariya Angela Nivyiza asubiramwo indagano mu gihe yariko arahimbaza yubile y'imyaka 25 yiheбeye Imana

Ivyo birori vyabaye ku musi w'Imana igenekerezo rya 8 Nyakanga 2024, muri paruwase Kanyosha yitiriwe Umuvyeyi w'ikigongwe, aho Ababikira bo mu Muryango w'Abigeme b'Umuvyeyi w'ikigongwe, biriwe mu kanyamuneza kuko umwe muri abo yashikirije indagano ziwe za burundi.

Izo ndagano zikaba zashikiririjwe mu Nkuka y'imisa yaherejwe,

Ibikur. urup. 4

# Ishure ryugururiye bose ni nkenerwa ku ndero y'ibibondo

akamaro karyo hamwe n'intambamyi zibonekeza mu ndero y'abana mu Burundi hamwe n'ingene zotorerwa umuti.

Ivyo bikorwa vyatunganijwe ku ciyumviro ca Mama Jeanne d'Arc Kamikazi yihebeye Imana mu muryango w'ababikira Bene Umukama aranguria ubutumwa bwiwe mu mashure yo mu gihugu c'Ubutaliyano.

Kubw'uwo mubikira, ngo yatunganije urwo ruganda kugira ngo atange intererano yiwe mw'itunganywa ry'indero mu mashure yegukiye umuryango yongere atange intahe y'ingene aho ari amashure atunganijwe n'ingene igisata c'indero cubatse.

**Ishure ryugururiye bose ni ukuvuga iki?**

Nkuko Mama Jeanne d'Arc abivuga, ngo ishure ryugururiye bose bisigura ishure ry'ugururiye abana bose utaravye ubumuga bwabo, ingorane zo mu mutwe, ingorane ziva ku bukene n'ibindi. Iryo shure riba ari iry'abana bose atanumwe avuyemwo.

Ng'aha mu gihugu cacu, ngo iyo ngendo yaratanguye kandi Reta iriko ibigira neza cane. Ariko intambwe yo iracari ndende.

Mama Jeanne ati: «Ng'aha mu Burundi turi mu ntango kandi intango ni nziza. Akamo twotera Reta n'uko yobandanya yitaho agateka k'umwana, ntihagire umwana n'umwe akumirwa canke atungwa agatoki kubera ubudasa canke kamere yisangije mu buzima bwiwe. Kubera ko ishure ryugururiwe bose risaba ko umwana wese yitwararikwa ku gatwe kiwe, Reta yoshira uburyo bwinshi muri ico gisata. Ivyo ndabivuga kuko twasanze muri Afrika amasomero aba arimwo abana benshi bigatuma umwigisha adashobora gukurikirana neza abana bose ku buryo umunyeshure wese amumenyera ibimwerekeye ku gatwe kiwe».

Nk'uko uwo mubikira abandanya abivuga, abavyeyi ngo bafise uruhara rudasanzwe mu bijanye n'uguteza imbere ingendo y'ishure ryugururiwe bose. Abavyeyi ngo nibo bafashanya n'ishure, umuvyeyi agakurikirana umwana akamenya ko umwana akurikira. Uruhara rw'abavyeyi n'abigisha ni magiriranira. Niho hataba kwagutanako umwikomo, ishure ngo umwana ntagira indero, umuvyeyi nawe ngo ishure riraho ntiryigisha.

**Amahinduka amw'amwe arakenewe kugira ngo iyo ngendo ishinge imizi**

Bimwe mu bintu bikenewe cane kugira ngo ingendo yishure ryugurukiye bose itere imbere, ni gushiraho abanonosoye ivy'inyifato ku mashure yose.

Mama Jeanne d'Arc amenyesha ko inyifato z'abanyeshure zigoye gutahura ku muntu atanonosoye ibijanye n'inyifato. Kugira ngo umwigsha ashobore gukurikirana neza abana afise, ategerezwa gufata ikibanza c'umuvyeyi, ic'umurezi hamwe n'icuwumviriza. Ivyo bintu rero bica bimubana vyinshi agaca ananirwa.

Uwo yanonosoye ivyinyifato hariho ibintu ashobora gutahura n'ingoga, gurtyo agaca abwira umwigisha ati burya uyu mwana afise ikibazo iki. Akarorero ni nk'ihungabana mu vyo kwandika, mu vyo gusoma, mu gushwashanukira abandi, kwugurukira umwigisha no gukurikira neza mw'ishure, n'ibindi.

Uwo mwigisha murezi mu gihugu c'Ubutariyano, avuga ko ibikenewe ari vyinshi kugira ngo ingendo y'amashure yugurukiye bose itsimbatare ariko akavuga ko hari umwizero kuko ngo no mu bindi bihugu barabishoboye, ngo no ng'aha bizokunda.

Patiri Deogratias Maruhukiro umupatiri wo mu muryango w'abasaserdoti ba Shcoenstatt arangurira ubutumwa mu gihugu c'Ubudagi yatanze inyigisho muri urwo ruganda yerekeye indero idakumira ayirabisha mu bijanye no kwubaka ikibano ciza no kudakumirana.

Patiri Maruhukiro yashimikiye ku bijanye no kwubahana no gushigikirana. «Indero y'Uburundi yamye yubahiriza ubuzima, yamye ifise kirazira. Kwiga kubana mu bumwe bakiri bato, umwe wese yihanganira mugenzi we, bituma n'igihe bazoba bamaze gukura bazomenya ko uwundi ari umuntu n'aho yoba afise ivyo adahurizako no mugenzi we canke ivyo batabona kumwe».

Patiri Deogratias Maruhukiro, yerekanye kandi uruhara rw'urwaruka mu gukingira ibidukikike. Igikorwa co kurwanira ibidukikije nico kindi gikorwa dutegerezwa kumenyereza abana bacu hakiri kare.

Nk'uko uwo muhinga muvy'inyigisho abisigura, ngo bavuze indero idakumira ntibaba bavuze abafise ubumuga buboneka. Hari n'abandi bantu bashobora gukumirwa kubera imvo nyinshi: urukoba, ubutunzi, ubwenge, ubukehabwenge n'ibindi. Indero idakumira rero isigura ko umwana wese aba uko ameze kwose aba afise uburenganzira bwo kuba mw'ishure kandi akakirwa kumwe n'abandi.

Igishimishije, ngo n'uko Reta yamaze gufata umugambi wo gufasha abana bose ko boronka uburenganzira bwo kwigishwa atawukumiriwe n'umwe.

Patiri Deogratias agahamagarira abarundi bose gushigikira Reta umwe wese uko abishoboye. Agatumirira abavyeyi ko bokwitaho cane abana babo mbere bakanamenyesha abigishwa babo igihe cose babona inyifato badatahura k'umwana wabo.

*Mélance NDAYIKEZE*

# Iyugururwa rya Yubile y'imyaka 25, Musenyeri Gervazi Banshimiyubusa amaze ari Umwepiskopi

(Bitangurira ku rup.1

harazima.

Mu nyigisho yiwe, yaragaragaje akanyamuneza yumva afise kubona yatewe iteka ryo kuba mu basubirizi ba Petero, none haheze imyaka 24, ati : « Ikimpimbara cane n'uko muri iyo myaka yose, Nyenubweranada atahengeshanije kuguma anyizigiye. Ati nanje ndabasavye bavukanyi bakristu ba Diyoseze nkuru ya Bujumbura, na mwebwe dusangiye ubutumwa bwa hafi, kwama munshigikije igisabisho.»

Yarongeyeko ati : « Mu myaka 24 maze ndi muri ubu butumwa, nta kindi nashinzwe atari ugusemerera Kristu yabambwe kandi yabambwe ku musaraba kugira ngo igihugu c'Imana gikire, naho kuri bamwe umusaraba cabaye igitsitaza nko mu gihe c'abayuda, ku bandi nabo bikaboneka nk'ubusazi nkuko vyabaye ku Bagiriki.

Mu kuzirikana uyu munsi, twerekeze amaso yacu ku wabambwe kuri uyo musaraba. Nka kumwe Musa yamanika inzoka mu gahinga, niko n'Umwana w'umuntu yabwirizwa kumanikwa kugira ngo uwumwemeye wese aronke ubuzima budahera. »

Yabandanije inyigisho yiwe asigurira abakistu urwa rukundo rwiboneckeje mur Kristu yabambwe kumusaraba, ati : « Igihugu c'Imana cari cikwegeye ubugarariji nico gituma inzoka zabakomora. Ariko hejuru ya vyose babona urukundo Imana yabakunzi, kuko bagira bati ntitwari gukira kubera ubugaba twikwegeye.
Icerekana ko urwo rukundo rudasanzwe nuko kugira ngo bakire, abo bantu bari bakomowe n'inzoka z'ubumara, Imana yari yabasavye ibitaremereye na buhorobuhoro kuko yari yabasavyr gusa ko borangamira. Barangamiye bagaca bakira. Imiti yose iyo iba ko tuja turarangamira gusa, ngirango n'abakunze gupfa kukwanka kunywa imiti, iyo miti yo boyinywa.

Ikimenyetso ca kabiri ni wa musaraba wa Yezu, nawo nyene utwibutsa ububegito n'akarenganyo k'abantu bo mu gihe ciwe kuko niko katumye amanikwa. Iyo baravye uyo musaraba na bo nyene babona ubwo bubegito bwabo bwatumye amanikwa. Ariko hejuru ya vyose, uyo musaraba kandi werekana urukundo rudasanzwe rw'Umwana w'Imana yemeye kwihebera abantu kugira ngo abamwemeye bakire urupfu rw'akagirire. Nkuko vyari bimeze no mu Bwuzure bwa kera niko no mu Bwuzure Bushasha Imana isaba ukwemera Umwana wayo kugira ngo ukire.

Ng'urwo urukundo ntangere ca giti c'umusaraba cobaye ic'umuvumo, kitwibutsa mu umusaraba wa Yezu Kristu urukundo ntangere rudasanzwe.

Ariko ngo ikibabaje n'uko, nkuko mu Bwuzure bwa mbere hari abapfuye kuko ba-nse kurangamira inzoka Musa yamanitse, niko n'ubu hashobora kuba hari abantu babandanya bagwa mu nzira y'urupfu rw'ikibi n'inzankano kuko bananiwe canke biyankishije kwemera Umwana w'Imana bagahomba ubuzima budahera. Bagapfa kandi Imana ibasaba kwemera ngo bakire.»

Imbere yo gusozera inyigisho yiwe, yaciye yugurura Umwaka mushasha w'ubutumwa 2024-2025, nawo ukaba uzoba wubakiye ku civuga kigira kiti: "***Twubake Ekleziya muryango mu kugira ubumwe n'urukundo no mu gusangira neza ivyo Imana iduha***".

Yasavye umuryango wose w'abakristu kwamana umutima umwe mu rukundo, dusabikanye ivyo Imana iduhezagiza gutyo twubakire hamwe twese Ekleziya.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Akanyamuneza mu Muryango w'Abigeme b'Umuvyeyi w'Ikigongwe

irongowe na Musenyeri Anatole Ruberinyange, Icariho c'Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura ari kumwe n'abasaserdoti barangurira ubutumwa muri iyo Paruwase n'abandi b'asaserdoti batari bake barangurira ubutumwa mu yandi maparuwase, eka mbere n'abavuye mu bihugu bibanyi vya Congo iharanira intwaro rusangi n'Urwanda.

Musenyeri Anatole Ruberinyange yahamagariye abo bagire bagire indagano kwugururira Imana ngo yuzuze ivyiza muri bo, ati: «Ivyiza Imana itanga ntishaka ko umuntu avyisangiza kuko iba imuha ubutumwa. Ivyiza mwaronse muzobisangize abantu bose mudacaguye abakuru n'abato, abakene n'abatuzi.»».

Yarongeye avuga ati: «Mwemeye Imana mukayihebera mwari abantu basanzwe, mugaca muba abavyeyi b'abantu bose; iryo ni ibanga».

Tubamenyeshe ko kuri uwo musi nyene kabaye n'akaryo ko guhimbaza yubile y'imyaka 75 uwatanguje umuryango w'Abigeme b'Umuvyeyi w'ikigongwe kw'isi yose Mama Mariya Josepha Rosello ashizwe mu mutigiri w'Aberanda.

Mama Mariya Angela Nivyiza yagize yubile y'imyaka 25 na Mama Mariya Berenadeta Niyorugira barangurira ubutumwa mu gihugu c'Urwanda.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Agafashanyo-ngurane gahabwa abanyeshure ba kaminuza y'Uburundi karongerejwe




*Inyubakwa z'ahakorera uwurongoye Kaminuza 'Uburundi n'abamufasha mu burongozi*

Kuva na kera, agafashanyo-ngurane (prêt-bourse) gahabwa abanyeshure biga mu ma kaminuza y'Uburundi kamye gatangwa. Mw'iyo myaka iheze hoho ntikitwa agafashanyo-ngurane, kitwa agafashanyo ( bourse).

Kuva mu mwaka w'ibihumbi bibiri na cumi n'umunani (2018) n'imyaka y'imbere yaho yose, agafashanyo kahabwa abanyeshure biga mu ma kaminuza y'uburundi kari gashimishije. Jérémie Ndihokubwayo, umunyeshure umwe yiga muri kaminuza y'Uburundi kuva mu mwaka wa 2012-2018, avuga ko ako gafashanyo kari gashimishije.

Ati: «Ako gafashanyo kangana n'ibihumbi mirongo itatu (30.000) ku banyeshure baba inyuma y'ibigo vya kaminuza y'Uburundi. Uwaba mu bigo vya kaminuza nawe yahabwa ibihumbi icenda (9.000) kuko ayandi mafranga asigaye yaba yayafunguyemwo kuko muri ico kigo ca kaminuza ababayo barabagaburira.»

Jérémie Ndihokubwayo avuga kandi ko naho baba inyuma y'ibigo vya kaminuza y'Uburundi ko atangorane n'imwe bagira kubijanye no gufungura. Ayo mafranga ngo barayasumisha ivyo bazofungura ukwezi kwose ndetse bagacagurako n'ayo bashobora kugura agahuzu kuko ibintu ntivyari bwazimbe nko mw'iki gihe ca none, kandi muri ico gihe ako gafashanyo ngo katangwa ku gihe.

Kuva mu mwaka wa 2018 gushika 2024 mu kwezi kwa Ruheshi, agafashanyo-ngurane kangana n'ibihumbi mirongo itandatu (60.000). Ariko kubera ko ibintu biguma bihinduka, agafashanyo-ngurane karongerejwe kuva mu kwezi kwa Mukakaro 2024, aho kashizwe ku bihumbi ijana (100.000) vy'amafranga y'amarundi.

### Itangwa ry'ako gafashanyo-ngurane ririmwo agahaze

N'ubwo ako gafashanyo-ngurane kongerejwe, abanyeshure ba kaminuza y'Uburundi baranegura ingene gatangwa gatevye kandi ubuzima barimwo bakenera uburyo bubafasha ku musi ku musi.

Nk'uko abo banyeshure babivuga, ngo ako gafashanyo-ngurane haraho gatangwa inyuma y'amezi abiri, mbere ngo hari n'aho amezi atatu ashobora guhera badahawe na rimwe ako gafashanyo-ngurane. Ivyo biri gutyo mu gihe Umunyeshure agiriranira amasezerano na Reta (contrat) yemeza ko yemerewe guhabwa agafashanyo-ngurane (prêt-bourse), bakemeranya ko kazotangwa ku kwezi ku kwezi.

Abo banyeshure bakibaza bati : « Mbega ko kahora gateba baduha ibihumbi mirongo itandatu (60.000) vyitwa ko yari make, ubu naho ari ibihumbi ijana (100.000) bizoca bimera gute ?»

Abo banyeshure bakavuga ko iduzwa ry'ako gafashanyo-ngurane kwoba ari uguhuma amaso amakungu. Abanyeshure bafise amikoro make ngo bazobandanya babaho nabi kuruta.

Bimwe mu biteye amakenga abo banyeshure ni iduga ry'agasakisaki ry'ibintu aho babaye. Batanga akarorero kw'iduga ry'amazu babayemwo, iduga ry'ibifungurwa, ingorane mu kwiyunguruza n'ibindi.
Umwe mu bo twaganiriye ati: «Mbega ko ibintu biguma bizimba ku musi ku musi, uko ikintu kiguze uyu musi ejo usanga hongerejweko amafranga ijana (100) canke n'ayarenga, bizokworohereza bose? Ico tubona ni uko bashaka kuronka ivyo bazotanga mu gihe c'amatora yimirije kuba kugira kazobe akaryo keza ko gushikiriza imigambi yaranguwe n'iyindi igiye kurangurwa.»

Abanyeshure basaba ko ababijejwe botanga ako gafashanyo-ngurane ku gihe kuko ngo nibo Burundi bw'ejo.

***Abimenyereza kuri Ndongozi y'Uburundi 2024:***
1. ***Kabura Longin***
2. ***Nduwimana Anaclet***
3. ***Nintunze Yves***
4. ***Niyubuntu Richard***

# Umuhari w'abigisha- barezi ni kirumara mu ndero y'urwaruka

Uko umwaka utashe, abarongoye abandi mu muhari w'abigisha barezi barahurira mu nama yo kwirimbura no kwiha amahangiro m ashasha y'iranguka ry'ubutumwa bwabo. Uno mwaka, iyo nama yabaye ku magenekerezo ya 29 na 30 Myandagaro 2024 i Bujumbura mu kigo co kwinagura kw'imihari n'imirwi.

Ruberintwari Leonald umwigisha murezi kw'ishure ryisumbuye rya Rugari mu ntara y'indero ya Muyinga akaba arongoye umuhari w'abigisha barezi mu Burundi, amenyesha ko ihangiro ry'iyo nama ari ukwisubiza itoto, abigisha barezi bakinagura mu butumwa bwabo bwo kurera no kwigisha barerera igihugu na Ekleziya.



*Bamwe mu bariko barakurikirana inyigisho zo kwinagura mw'ihwaniro ry'abigisha barezi ryabereye i Bujumbura Nyakanga 2024*



*Patiri Jules NDUWIMANA, umwe mubatanze inyigisho mu mwiherero w'abigisha barezi*

Patiri Jules NDUWIMANA mu nyigisho yiwe, yashimikiye ku karangamutima kw'umuga wa kwigisha.

Kuva kera na rindi, ngo hamye hariho uburyo bwo guhererekana ubumenyi biciye mu nyigisho. Umwigishwa yama abona uwumwigisha nk'umuntu w'igihagararo, abereye kwitwa Mwigisha. Patiri Jules ati: «Abigisha barezi bo muri Ekleziya Katolika mutegerezwa kwama murwanira ico gihagararo abana bababonamwo mu kwitwararika na ntaryo indero yabo no mu kubaha ubumenyi bwose bakeneye ngo babe abantu babushitse.»

Nk'uko Leonald abivuga, ngo inyuma y'ihwaniro bitezeko abigisha bisubiza itoto bakagenda gukora ubutumwa bakabukora nk'abakristu barengeye ibibahanze vyose nk'intambamyi. Vyongeye, ngo kuva umuhari utanguye ngo umuhari uramaze kurangura vyinshi cane. ati: «Uwo muhari warafashije abigisha gukora ibikorwa abajejwe nk'ubutumwa.»

Bisunze akarangamutima k'umuhari, ngo bashaka gufasha umwigisha murezi wese gukora ubwo butumwa nk'ibanga ryo kurera berekeza kuri Yezu Kristu yemeye kwitanga.

Abigisha barezi aho bari hose abatumirira kwitanga no gukora ubwo butumwa nk'abigisha bagendera ibanga, umwigisha murezi yoremesha abandi akabatera intege. Ku bijanye n'agahembo k'abigisha, Leonald avuga ko ata mpembo yoboneka ikwiye umwigisha bivanye

**Mélance NDAYIKEZE**

# KWINJIZA INYAMIRAMABI ZISHASHA MU 2024

## RECRUTEMENT DES NOUVEAUX POLICIERS, EDITION 2024

Ministère de l'Intérieur, du Développement communautaire et de la Sécurité publique



## IBISABWA
## CONDITIONS

### Kuri bose / *Pour tout.e candidat.e :*

1. Kuba afise Ubwenegihugu bw' Umurundi bw'amavuko *(avoir la nationalité burundaise d'origine) ;*
2. Kutaba afise Ubwenegihugu bubiri *(Ne pas avoir une double nationalité) ;*
3. Kuba atarubaka urwiwe kandi atagira umwana, akiyemeza kuguma gutyo mu kiringo cose c'inyigisho n'ico kwimenyereza *(être célibataire sans enfant(s) et le rester durant toute la période de la formation initiale et du stage probatoire) ;*
4. Kuba afise imyaka 18 gushika kuri 25 *(être âgé de 18 ans au moins et 25 ans au plus) ;*
5. Kuba atigeze aba umuporisi canke umusirikare canke ngo yirukanwe mu kandi kazi ka Reta *(n'avoir pas appartenu aux Corps de Défense et de Sécurité ou être révoqué de la fonction publique) ;*
6. Kuba atigeze ahanishwa igihano c'umunyororo n'Ubutungane *(n'avoir pas été condamné à une peine de servitude pénale) ;*
7. Kuba afise amagara meza *(être de bonne santé et physiquement apte);*
8. Kuba avyishakiye *(être volontaire).*
9. Kuba yigenza neza *(être de bonne conduite, vie, mœurs et Civisme)*

### Ku bijanye n'amashure bize *Qualifications :*

**Ku bipfuza kwinjira mu Ntwazangabo** *(Candidats Officiers de Police) :*

Kuba yaramenye ikibazo ca Reta gitanga uburenganzira bwo gukurikirana inyigisho za Kaminuza *(avoir réussi à l'examen d'Etat);*

**Ku bipfuza kwinjira mu Bisongerezi** *(Candidats Sous-Officiers de Police) :*

kuba yaramenye umwaka wa mbere w'inyuma y'ishure shingiro *(avoir réussi la première année du Cycle post-fondamental).*

**Ku bipfuza kwinjira mu Bapolisi bato** *(Candidats Agents de Police) :*

Kuba yararangije Ishure nshingiro *(avoir réussi le Cycle fondamental).*

## RYARI? HEHE? / QUAND? OÙ?

- Iyandikwa/Inscriptions : 11- 20 Nyakanga 2024 (Du 11 au 20 Septembre 2024) :
  - ku ma komisariya y'intara bavukamwo (Intwazangabo n'Ibisongerezi)/*Aux commissariats des provinces natales (candidats Officiers et Sous-Officiers);*
  - ku ma komisariya y'amakomine bavukamwo (Abapolisi bato)/*Aux commissariats des communes natales (candidats Agents de Police).*
- Ibibazo (ku mirwa mikuru y'intara bavukamwo)/Tests (aux chefs-lieux des provinces d'origine) :
  - Intwazangabo: 15-16 Gitugutu 2024 *(Candidats Officiers :15-16/10/2024)*
  - Ibisongerezi : 23-24 Kigarama 2024 *(Candidats Sous-Officiers :23-24/12/2024)*
  - Abapolisi bato: 17-19 Gitugutu 2024 *(Candidats Agents :17-19/10/2024)*

M.N.: N'abahejeje mu yindi myaka, atari uyu mwaka, bazokwakirwa.

Col Pol **NDUWIMANA Désiré** (Porte-parole/PNB)
Chargé de la Communication à la Commission Recrutement, Edition 2024 :

**Hari ico ubaza / *Contact :* +257 68006464**

# Patiri Georges Defour yari intwari ibushitse

Umuhari w'abasaveri mu Burundi uherutse kwibuka ku ncuro ya 12 urupfu rwa Patiri Georges Defour wo mu muryango w'abamisiyonari ba Afrika yatanguje uwo muhari kw'isi yose. Hari ku wa 25 Myandagaro 2024 i Bujumbura aho abasaveri bavuye mu mihingo itandukanye y'igisagara ca Bujumbura bahuriye muri Paroisse Ngagara i Bujumbura kugira ngo biginane bongere bibuke iyo ntwari Patiri Georges Defour.

Jean Marie Vianney Hasabamagara umukuru w'abasaveri mu Burundi ati : « Igize incuro ya 12 twibuka Patiri Georges Défour, umusaserdoti yatanguje umuhari w'abasaveri, awutanguriza mu gihugu ca Republika iharanira Demokarasi ya Kongo. Turamwibuka kuko twebwe tumubona nk'akarorero kacu. »

Muri Afrika, abamisiyonari bamaze kuhashika ngo basanze abanyafrika bazi Imana. Georges Defour nawenyene ngo niko yabibona. Ariko amaze kuhaba, mu butumwa bwiwe ngo yarabonye ko hari agahaze. Mu rwaruka cane cane ngo yarabonye ko hari benshi babayeho nk'ingabo zitagira umutware, nk'intama zitagira umwungere. Niho yaciye ashira inguvu nyinshi mu gisata c'urwaruka cane cane aho yari ari muri ico gihugu ca Republika iharanira Demokarasi ya Kongo (ico gihe cari kicitwa Zaïre).



Bamwe mu Basaveri bari mu nkuka ya misa yo kwibuka Patiri Georges défour

**Umuhari w'abasaveri wavutse gute ?**

Kubijanye n'ivuka ry'umuhari w'abasaveri, Jean Marie Vianney avuga ko uwo muhari wavutse mu buryo butangaje. Ati: «Georges Defour yahora akoranya urwaruka akabigisha ijambo ry'Imana afatiye ku turorero twaberanda badutanze kurenguka. Umusi umwe, yariko yigisha afatiye ku mweranda Fransisko Xaveri Mweranda. Amaze kuvuga ivyamuranze n'ubutwari bwiwe, niho urwo rwaruka, uwo musi rwashika 40, rwatashe rwihaya ruvuga ruti twebwe turi abana Fransisko Xaveri Mweranda».

Georges Defour ngo yaciye afatira ngaho nyene, arigisha urwaruka gusenga, arabegeranya arabakundisha kristu. Gurtyo umuhari uba uratanguye mu mwaka w'1952. Mu mwaka w'1953 naho, umuhari warashitse mu Burundi utangujwe n'umusaserdoti



w'umurundi yitwa André Kameya.

Nk'uko Vianney arongoye uwo muhari ku rwego rw'igihugu abivuga, ngo uwo muhari ugamije kugira abanyamuhari abantu n'abakristu babushitse. Nk'akarorero, mu ngendo n'inyigisho ziranga umunyamuhari, umusaveri ngo ategerezwa kuba icabona ca Kristu, akirinda amajambo yose yotsitaza agatirimutsa mugenzi wiwe, agashira akanyamuneza aho ari hose, agakora ivyo vyose bishoboka kugira ngo ateze imbere igihugu ciwe ateze imbere na Ekleziya.

Ngo hari n'ibindi biranga umusaveri w'ukurikandi navyo nyene vyiyumviriwe na Georges Defour. Ni nk'ubukerebutsi, ubutwari, ubugamburutsi n'ibindi. Georges Defour yarigishije abasaveri gukunda ibikorwa kandi yarabitangako akarorero. « Mu myaka 99 yamaze, Georges Défour yaguma yiyumvamwo ubuto, agakunda ibikorwa, agakunda abantu bakiri bato kandi nawe nyene yama yiyita umuntu akiri muto kandi abangutse mu kwitazira "Gasore" »

Jean Marie Vianney afise vyinshi yibukirako iyo ntwari yatanguje umuhari w'abasaveri. Ati : « Yarakunze Afrika, cane cane Afrika yo hagati gushika naho yisabiye ko azohambwa mu Burundi canke muri Kongo. »

Ico umuntu w'Imana yipfuje arakironka : amaze kurwara, Georges Defour yagiye kuvuririrwa mu gihugu c'amavukiro. Ariko amaze gusandaba, baragarukanye ikiziga ciwe bagicisha mu Burundi abasaveri b'abarundi baramusezera hanyuma baja kumushingu muri kongo ahantu yari yarubatse ikigo c'ivyiterambere.

**Abasaveri bibungura iki kwibuka Georges Défour ?**

Georges Defour ni umuntu adasanzwe. Afatwa nk'akarorero k'abantu bakunda ubutumwa. Yapfuye amaze kwandika ibitabu bishika 102. Kumwibuka bituma twibuka ubutwari bwiwe kandi natwe bikadufasha kuba abantu b'ukuri, abantu babushitse.

Jean Marie Vianney ati: «Nk'uko Georges Défour yabaye umudahemuka kw'ibanga no ku ndagano yagiriye Imana, abasaveri tubasavye kuba abadashinguka ku ndagano z'ibitisimu no ku zindi ndagano zose bagize. Gurtyo bazoba bateye iteka Georges Defour».

*Mélance NDAYIKEZE*

# Uruhara rw'urwaruka kugira habe amatora yizigiwe

Yishimikije rya jambo dusanga mu nkuru nziza ya Matayo 5, 13-16, Umwungere wa Diyoseze ya Ngozi, Nyenicubahiro Musenyeri Georges Bizimana, yabanje kubarira urwaruka ko ari rwo munyu n'umuco w'isi.

Iyo ni inyigisho yashikirije urwaruka rwari mw'ihwaniro ryari ryatunganijwe ku rwego rw'igihugu, muri diyoseze ya Ruyigi, aho yaba-ndanije abibutsa ko nk' abigishwa ba Yezu Kristu, ababatijwe, ko batorewe kubera isi umuco.

Abigishwa ba Kristu bafise ubutumwa buhambaye bw'ukuba ibikoresho bizima Imana icako kugira ngo ubuzima bw'abantu kuri iyi si buronke akanovera kabereye, umuryango w'abantu ukire umwandu uwo ari wo wose, kandi ntiwame uhungabanywa n'imiyaga mibi ya sekibi n'abakozi biwe, imiyaga izanira abantu amagorwa n'umwiheburo.

Vyongeye, umukristu wese arafise ubutumwa bwo kubera abandi umunyu n'umuco.

Kubera abandi urumuri, ni ubutumwa umwigishwa wa Kristu, kubw'ibatisimu n'ikomfirimasiyo yatiwemwo, yarungikanywe kandi abwirijwe kwitwararika.

Kubera isi umunyu uyiryosha, ukayityorora, ukayisomora ibikomere vyayisinzikaje, ni ubutumwa bwega zina mukristu wese.

Hari abantu b'abakristu womengo bagendana uturangamuntu tubiri: akarangamuntu k'umukristu yerekana ari mw'isengero, hanyuma yagera hanze mu bundi buzima (ari muri politike, ari kudandaza, ari kwigisha canke kwiga, ari kuvura canke kwivuza) akerekana akandi karangamuntu ataho bihuriye na ka kandi.

Umwungere Georges Bizimana, ati : « Twame twibuka y'uko no mu buzima bwa politike, mu rudandazwa, mu butu-mwa ubwo ari bwo bwose, na ho nyene Yezu Kristu abwirijwe kuharonka ikibanza kimubereye. Hari igihe abakristu bamwe bamwe boba bibaza ko umukristu yoba atarekuriwe kuja muri Politike ! Ariko kuri ivyo urwaruka rwararonse umuco».

Mu vy'ukuri, inyigisho ndemeshamibano y'Ekleziya iributsa neza y'uko ata muntu n'umwe akwiye kuba sindabibazwa mw'itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu bwerekeye iterambere, ubutunzi, imigenderanire n'umubano mwiza.

Umubano mwiza w'abantu na wo ushingiye ubwa mbere na mbere ku kwubahiriza ubwigenge bw'umwenegihugu wese afise bw'ukwinjira mw'ishirahamwe, mu muhari canke mu mugambwe; uburenganzira bw'ukwiteza imbere mu gihe atawe yononeye kandi atagiye kubiri n'amabwirizwa y'Imana; n'uburenganzira bw'ukwitorera abamuserukira mu ndinganizo y'ubutegetsi n'inzego zitandukanye z'intwaro.

Ni co gituma ata n'umwe abwirijwe gukumirwa mu gihe akwije imyaka itegekanijwe akaba akwije n'ibisabwa. Uburenganzira bw'ugutora canke bw'ugutorwa bwubahirizwa neza iyo hari indinganizo y'intwaro rusangi ari yo twita « démocratie ».

Muri mwene iyo ndinganizo, si umuntu yihagira ubutegetsi kubera abicishije mungimba, ni abenegihugu bamushinga amabanga biciye muri iyo nzira y'amatora.

Kugira ngo ivyo bishoboke, harakenerwa integuro ica mu nyigisho hamwe n'amategeko agenga ico gikorwa.

Umwungere yarabandanije abanyurwisha ati: « Ukuja muri politike turetse ko umukristu wese abirekuriwe, ahubwo umukristu wese arabibwirijwe kugira ngo aterere mu gushiraho inzego zubahiriza iteka rya zina muntu, itunga rusangi, isabikanywa ritunganye ry'ivyo Imana yaduhaye ngo dusangire, ugufashanya n'ukwitwararikana hamwe n'uguha ikibanza ba ntahonikora.

Ntihagire rero n'umwe yigira sindabibazwa kuko ibintu birashobora kwononekara n'ukuyangara, bikayangara mu gihe abakristu bosamara bigatuma hatorwa indongozi zitabikwiye canke zitabishoboye. »

Iyo hatowe indongozi mu bakristu nyabo bagendera ibanga n'akaranga k'abasizwe mw'ibatisimu no mw'ikomfirmasiyo, bica bikunda ko bahagararira ubutungane kuri bose, umwe wese akubahirizwa mu gateka kiwe Imana yamuremanye no mu burenganzira bwiwe bwose, itunga rusangi rigakingirwa kandi rikubahirizwa ku rugero rukwiye, ivyo Imana yadusangije tukabironkako twese, a-barushwa na ba ntahonikora bakitwararikwa.

Ni na ho mbere bishoboka ko abantu bagira urunani kugira ngo batorere hamwe inyishu y'ibibazo bibahanze, uwubishoboye akaronka n'amahirwe y'ukwiteza imbere akagira intambwe ukuruta atawumuzitira, na we nyene atabo azitira, ariko kandi twese tukumva ko dusangiye umuhamagaro w'ukuzotorana ubuhirwe bwuzuye mu bwami bw'Imana.

Iyo habaye ubusamazi hagatorwa indongozi zitabibereye hononekara vyinshi: uwitwaje inguvu n'ingimba aca yigarurira ivyofashije igihugu na benegihugu, iryobaye itunga rusangi rica ritaha muri bamwe bamwe abandi bakaburiramwo, uwugize utwo yironderey canke yimbuye bakatumunyaga, akarenganyo kagasasirwa indava ata camira, imanza zigacibwa hakurikijwe ingero z'ibiturire na ka mwana wa mama, ubukene n'inzara bikimonogoza mu bantu, imyidogo n'intuntu bikuzura imitima y'abantu bato bato batagira n'uwo bitura.

***Biracaza***

*Patiri Léonidas Ntakarutimana*
*Diyoseze Ruyigi*

# Uburenganzira bwo kwubahirizwa mu vyerekeye imico n'akaranga

Abantu bose barafise uburenganzira bwo kwubahirizwa mu vyerekeye imico n'akaranga vy'igihugu cabo.

Imico rero ni ivyo vyose bigize imibereho y'abantu b'igihugu kinaka, na cane cane mu nyifato, inyambaro, inkino, intambo, utugenegene n'ibindi, bikaba ari navyo biha akaranga igihugu na beneco.



Tuja gushimikira cane cane ku burenganzira bwo kwubahirizwa mu tugenegene hamwe n'ikingirwa ry'ivyavuye mu bikorwa mvabwenge bijanye n'utugenegene.

Ubwo burenganzira butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko n'amabwirizwa y'igihugu kimwe kimwe ukwaco.

**Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**



Amategeko mpuzamakungu atandukanye, yarategekanije ubwo burenganzira.

Itangangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, rivuga ivyerekeye ibikorwa ry'utugenegene no guteza imbere ubuhinga vyavuye mu bwenge bw'umuntu.

Agace ka kabiri k'ingingo ya 27 kavuga ko umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa ku bikorwa vy'utugenegene canke ivy'ubuhinga vyavuye mu bwenge bwiwe. Ararekuriwe ata nkomanzi guteza imbere ubuhinga akagira n'ico avyungukamwo.

Ingingo ya 15 y'aya masezerano, ishimikira kuvyerekeye kuronka inyungu ivuye mu bikorwa vy'ubuhinga bw'umuntu n'ikingirwa ryavyo.

Ivuga ko, ibihugu vyegwa n'aya masezerano, vyiyemeza kwubahiriza uburenganzira bwa zina kiremwa muntu bwo kugira ijambo mu bikorwa vy'imico kama, kuronka inyungu kubera ibikorwa vy'ubuhinga arangura akoresheje utugenegene, kandi bitegerezwa gukingirwa.

Ku rwego mpuzamakungu rero, hariho kandi amasezerano mpuzamakungu yerekeye ikingirwa ry'ivyavuye mu bwenge bw'umuntu, muri rusangi harimwo ibiva mu tugenegene twiwe.

Tubisanga mu gace ka 6 k'ingingo ya mbere kavuga ko, ibihugu vyose vyashize umukono kuri ayo masezerano, bitegerezwa gukingira ibikorwa vyavuye mu bwenge bw'umuntu.

Ako gace kabandanya kavuga ko nyene gukora ivyo bikorwa abigumanako ububasha. Bikingirwa kuko n'aho biba vyavuye mu bwenge bw'umuntu umwe, bishobora gukenerwa n'abenegihugu bose n'aho nyene vyo aba yaritavye Imana.

Nk'uko bigaragara mur'aya mategeko mpuzamakungu atandukanye duhejeje kurabira hamwe, arategekanya uburenganzira bwo kwubahirizwa mu bivuye mu tugenegene twiwe.

Reka turabire hamwe ingene mu gihugu kimwe kimwe ukwaco gitegekanya ubwo burenganzira. Tuja gushimikira aha iwacu mu Burundi.

**Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kwubahirizwa mu vyavuye mu tugenegene**

Ibivuye mu tugenegene tw'umuntu, ni umwe mu myimbu y'ibikorwa mva-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kwubahirizwa mu vyerekeye imico n'akaranga

(Bitangurira ku rup.10)

bwenge vyiwe.

Iyubahirizwa ry'ubwo burenganzira, riretegekanijwe mu mategeko y'Uburundi.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 58 y'Ibwirizwa nshingiro, umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa mu bikorwa aranguye bimuhesha iteka, canke bikamugirira akamaro vyaba ivyo ahinguye canke ivy'utugenegene yakoze ubwiwe.

Ibwirizwa n°1/021 ryo ku wa 30 kigarama 2005 ryerekeye uburenganzira umuntu afise ku bikorwa mvabwenge mu Burundi, riretegekanya mu ngingo yaryo ya 58 ko umuntu aguma afise uburenganzira ku bikorwa vy'utugenegene vyavuye mu bwenge bwiwe igihe cose aba akiriho.

Ubwo burenganzira n'abasigwa biwe barabugumana gushika hahere imyaka 50 uhereye guharura kuva mu mwaka ukurikira uwo yapfiriyemwo.



Ingingo y'8 itubwira abafise uburenganzira ku gikorwa kiba cavuye mu bwenge bw'umuntu.

Ivuga ko, igikorwa cose kivuye mu buhinga bw'umuntu canke mu tugenegene twiwe, ni we wenyene agifise ko uburenganzira canke umurwi w'abantu bafadikanije mukurangura ico gikorwa.

Ariko n'aho biri uko, ingingo y'10 ivuga ko iyo umuntu agiriraniye amasezerano n'ishirahamwe rinaka rikamutuma kurikorera igikorwa yisunze utugenegene twiwe, nyene kugikora aguma agifiseko uburenganzira n'aho kiba kibitswe muri iryo shirahamwe.

Iri shirahamwe ntirifise uburenganzira bwo kugihinyanyura ukundi hatabaye kwumvikana na nyene kugikora.

Ku bijanye n'uburenganzira bw'abantu bagira utugenegene two gukora no gukina amareresi, ingingo ya 17 ivuga ko uburenganzira kuri iyo reresi bufiswe n'uwazanye ico ciyumviro, hamwe n'uwo wese afise ico yatererereye kugira ngo iyo reresi ikorwe.



Ni uwatererey iciyumviro ku muziki wokoreshwa, aboyikina ingene bangana, aho yokinirwa, ibikoresho vyokenerwa n'ibindi.

Mu gusozera, ubu burenganzira twabayagiye, uretse ko twabonye ko busanzwe butegekanijwe haba ku rwego mpuzamakungu ndetse no ku rwego rwa hano iwacu mu Burundi, butegerezwa kandi kwubahirizwa kuri uwo wese afise ico yahinguye kivuye mu bwenge canke mu tugenegene vyiwe.

Nko ngaha iwacu mu Burundi, igitabu c'amategeko mpanavyaha categekanije ibihano bihabwa uwutubahirije ubwo burenganzira. Ivyo bihano bitegekanijwe mu ngingo y'309 n'iy'310 zaco.

Ingingo ya 309 ivuga ko, umuntu ahemukira uwundi mu gukoresha ivyiwe mu buryo butasezeranywe ahanishwa umunyororo uva ku myaka 2 gushika ku myaka 5 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi amajana 5 gushika ku mafaranga umuriyoni canke igihano kimwe muri ivyo conyene.

Ivyo bihano bihabwa umuntu wese afise akamenyero ko gukorera ku bintu vy'abandi kugira ngo abikuremwo inyungu y'amafaranga canke ibintu vy'agaciro n'aho uruhara rwiwe rutoba rwabaye ngombwa.

Ingingo y'310 nayo ivuga ko ivyo bihano bitegekanijwe mu ngingo y'309 bishobora gushikana umunyororo w'imyaka 10 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 100 gushika ku mafaranga ibihumbi 500 canke igihano kimwe muri ivyo tuvuze, mu gihe ikintu c'umuntu cakoreshejwe n'uwuserukira reta yitwaje ico ari bitasezeranywe na nyene co.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ibibanza vy'iratiro mu Bushinwa *(Ibikurikira)*



*Ico ni igisagara kizwi cane mu budandagi citwa Shanghai. Ico kintu kirekire kiriko imizingi ni inyubakwa y'iratiro hamwe n'ubudandaji. Ku musi ku musi ico kibanza cakira ingenzi ibihumbi n'ibihumbi.*

Tumaze imisi tubaganirira amakuru y'Ubushinwa inyuma y'urugendo-shure muri ico gihugu. Ubu naho, tugomba guherahereza ikiyago cacu mu kubabwira ibibanza bikuru bikuru vy'iratiro muvyo twatembereyemwo.

Abashinwa barazi guha agaciro ibintu vyabo. Mu bibanza vy'iratiro, akantu kose kuri bo karafise ikibanza muri kahise kabo, kandi bakagaha agaciro uko kaba kari kwose.

Nk'akarorero, ikigwati cahora cubatse mu buryo bubayabaye, bishitse hakaba amahinduka mu nyubako, kikubakwa kijambere, amasanamu y'ico kirwati kitaratera imbere, arashobora kuba ikiratwa ca rwose, berekana bati: ngaha hataratera imbere hasa gurtya, hamaze gutera imbere naho ubu hasa uku.



*Ico ni ikibanza c'iratiro . Aho abo bantu bariko baraba ingene abashinwa bahora bavoma amazi mu kuzimu bakoresheje imigozi miremire iboheye ku kintu kivoma*



*Ubwo ni ubwato butwara ingenzi buri mu Kiyaga citwa «Ikiyaga co mu Burengero» kiri mu gisagara ca Shanghai*

Ikindi kibanza c'iratiro ni ikirwati kirimwo abantu bahisemwo kuguma bibereyeho mu buryo bwa kera. Ico kirwati ni ikibanza c'iratiro kuko abana bariko bararuka mu Bushinwa bavukira ahantu hateye imbere cane, ariko igihugu kiguma gifise uruhara rwo kubibutsa ko atariko vyamye mu kubajana kuraba ingene aho hambere bari babayeho.

Hari n'inyubakwa z'iratiro ry'imyuga mitomito nko kujishisha amaboko, kubumba, kurima n'ibindi.

Twobamenyesha ko mu gisata c'Uburumyi, igiterwa c'Umuceri ngo ni igiterwa gifise inkomoko mu Bushinwa. Kw'isi yose umuceri wahasitse ukomotse mu Bushinwa.

**Mélance NDAYIKEZE**